Ikintu cose kibaye kiba caragezwe, n'aho bwoba ari ububegito n'ubukerebutsi, kibure ubukerebutsi n'ububeguto

Mu vyakiriwe na Twaawusi yavuze ati: "Narahuye n'abantu mu ngendanyi z'Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) bavuga ko ikintu cose kibaye kiba caragezwe", aca yongera avuga ati: "Narumvise na Abdillaahi mwene Omari (Imana Allah Ibishimire bompi) avuga ko Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti: "Ikintu cose kibaye kiba caragezwe, n'aho bwoba ari ububegito n'ubukerebutsi, kibure ubukerebutsi n'ububeguto"".

[صحيح] [رواه مسلم]

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yaratomoye yerekana ko ikintu ico ari co cose kibaye kiba caragezwe; n'aho bwoba ari ububegito. Ububegito na bwo, ni ukureka gukora ivyategerezwa gukorerwa ku mwanya mu vyerekeye ubuzima bwo kw'isi n'ubw'inyuma yo gupfa, maze umuntu akama yiteza utunyoni ngo umwanya uracariho, akizemanza ngo mpava ndabikora mu kandi kanya. Eka n'aho bwoba ari ubukerebutsi buri mu vyagezwe. Ubukerebutsi na bwo, ni ukubanguka mu gutunganya neza ivyerekeye ubuzima bwo kw'isi n'ubw'inyuma yo gupfa. Yaranatomoye ko Imana Allah Nyeniteka n'icubahiro nta ngere, Yamaze kugera ububegito n'ubukerebutsi mu vyo abantu bakora, eka mbere Yaramaze kugera ikintu ico ari cose gishika mu buzima; nta kiba rero mu buzima kiretse ko Imana Allah Yamaze kumenya no gushaka ko kizoba.

http://sunnah.global/hadeeth/rn/show/65039